Kirundi

## Icaha co gutwara umuduga wafashe ibiyayuramutwe – Kubandanya Gupima Amate Yawe

Wamenyeshejwe ko wafashwe watwaye umuduga wafashe ibiyayuramutwe (**Icaha**). Intumbero y'iyi nyandiko ni ukukumenyesha ko amate yawe twafashe azotwarwa mu kigo c'ubushakashatsi cemewe n'amategeko kugirango apimwe kandi, unahabwe amakuru y'ukwo icaha cawe kizofatwa, bivanye n'inyishu zizova mu bipimo.

Ubwa mbere waragirijwe icaha nk'iki, amate yawe yatwawe gupimwa n'icuma cabigenewe. Inyishu yabonetse yemeje ko amate yawe yarimwo ibiyayuramutwe.

Nk'ukwo Igipolisi ca Victoria kibimenyereye, utwuma twagenewe gupima amate dutanga inyishu zizewe kenshi. Mu kwemeza ko ibipimo vyawe vyari vyizewe, Igipolisi ca Victoria kizorungikira amate yawe cagumanye ikigo c'ubushakashatsi cemewe n'amategeko gupima kugirango gisubire gukora ibipimo.

Iki gishushanyo gikurikira cerekana ukwo icaha cawe kizofatwa, **bivanye n'inyishu zizova mu bipimo vy'ikigo c'Ubushakashatsi**.

| |
|---|
| Igihe inyishu **zemeje** ko amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, icaha gikomeza kugukurikiranwako, n'ivy'utegekwa hamwe n'ivyo wemerewe (nk'uburenganzira bwo guhakana icaha ukunguruza) biratomoye ku caha.<br><br>Ibi bishitse, ntuzoba ukimenyeshejwe inyishu y'ibipimo vyavuye mu kigo c'ubushakashatsi, kiretse uhakanye icaha. |
| Igihe inyishu **zitemeje** ko amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, icaha kizogukurwako, nta n'igihano kizohaba.<br><br>Ibi bishitse, Igipolisi ca Victoria kizobikumenyesha kikwandikiye ku mwirondoro wagihaye. Mu gihe woba wararishe ihadabu, uzosubizwa amahera watanze. |
| Igihe Igipolisi **kitaronse inyishu y'ibipimo** mu minsi 28 inyuma y'ukwagirizwa icaha, ikirego kizohagarikwa.<br><br>Ibi bishitse, Igipolisi ca Victoria kizobikumenyesha kikwandikiye ku mwirondoro wagihaye. Mu gihe woba wararishe ihadabu, uzosubizwa amahera watanze.<br><br>Amate yawe yasigaranywe **n'ubundi azosuzumwa n'ikigo c'ubushakashatsi cemewe n'amategeko.**<br><br>Igihe ikigo c'ubushakashatsi **cokwemeza** ko amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, uzoshikirizwa ikirego **gishasha** kubw'icaha wakoze.<br><br>Igihe inyishu **zitemeje** ko amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, nta kundi kugukwirikirana kuri ico caha kuzobaho. |

Urashobora guhakana icaha **mu minsi 28** kuva wagirijwe.

Igihe wohakana icaha, hama ikigo c'ubushakashatsi kikerekana ko amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, Igipolisi ca Victoria kizogerageza kugeza ikibazo cawe muri Sentare **bishingiye ku nyishu yavuye mu bipimo vy'ikigo c'ubushakashatsi**.

Udahakanye icaha, kandi mu gihe wemerewe kwunguruza ikigo c'ubushakashatsi naco kikemeza kw'amate yawe arimwo ibiyayuramutwe, uzoca wagirwa n'icaha burundu, bitarabwe ko warishe ihadabu canke utayirishe.

Ayandi makuru ajanye n'ihadabu ashobora kuboneka ku rubuga ngurukanabumenyi rwa Fines Victoria kuri https://online.fines.vic.gov.au/ canke ugahamagara Fines Victoria kuri (03) 9200 8111, hagati y'isaha 2 z'agatondo n'isaha 12 z'umuhingamo, kuva kuwa mbere gushika kuwa gatanu. Abahamagarira bo mu karere ka Victoria bashobora guca kuri 1300 369 819 ku kiguzi co guhamagara giciriritse co hagati mu ntara.